# 221: Bana, mw ijuru tuzohabg' ibintu vyinshi

1. Bana, mw ijuru tuzohabg' ibintu vyinshi
Ni twizer' Umukiza wacu,
Tuzambikw' ibitsibo vy'intete nziza,
Tuzambara n' impuzu zera.

Ref: Bana, tuzohabga, tuzohabga vyinshi,
Tuzogabirwa vyinshi mw’ijuru.
Tuzama tunezerewe twese hamwe.
Ni twizera Yesu we Mukiza.

2. Tuzogendagenda mu miharur'irimwo
Ifeza n' izahabu nyinshi,
Kandi Yesu ni we zuba ryaho ryiza,
Ntituzobon' ijoro mw’ijuru.

3. Twe n'abamarayika tuzoririmbana,
Mw’ijuru tuzovuz' inanga,
Kandi tuzonyw' amazi mu ruzi
rwiza Dukijijw'amagorwa n' urupfu.

4. Ni muze tujane mu nzir' igororotse,
Yes' agomb' imitima yanyu:
Arabakunda can' agomba kubaha
Umunezero wiwe nyawo.

Visit us at burundi.indirimbo.com